Itorwa ry'abimukira bahabwa imfashanyo TANF

**TANF** (Temporary Assistance for Needy Families) **ni iki?**

**TANF** ni impfunyapfunyo y'amajambo asigura **Imfashanyo y'Imfatakibanza Ku miryango Ikenye.** TANF ifashisha amahera imiryango **ifise abana** murugo. **TANF** ishobora gufasha abimukira bamwe bamwe kuriha ivyankenerwa shingiro nk'inzu, chauffage, n'ibindi bintu ushobora gukenera nk'ivyahi vy'abana n'amasabuni.

## Mbega ndashobora kuronka TANF?

Kugirango uronke TANF utegerezwa kuba ufise abana mubana munzu kandi ukaba uhembwa amahera make cane.

**Abimukira bamwe bamwe bahembwa amahera make barashobora kwemererwa iyo mfashanyo hisunzwe statut yabo y'ubwimukira**:

- Impunzi n'abasavye ubuhungiro bakabuhabwa barashobora kuronka TANF.
- Abantu bafise uburenganzira bwo kuba muri Amerika burundu bakaba babumaranye imyaka irenga 5 barashobora kuronka TANF; hamwe na
- Abimukira bamwe bamwe bafise statut idasanzwe barashobora kuronka TANF.

**N'aho woba uri mu gihugu muburyo bwemewe n'amategeko, ushobora kutemererwa kuronka TANF iyo:**

1. Ukiri mu myaka 5 ya mbere uronse uburenganzira bwo kuba mugihugu burundu (ukaba utari impunzi canke uwahawe ubuhungiro);
2. Wasavye ubuhungiro canke ihindurwa rya statut y'ubwimukira ku rwego rw'igihugu ariko ukaba utararonka inyishu; canke
3. Ufise statut yemewe n'amategeko itamenyerewe cane.

**Niwaba uri muri umwe muri iyi migwi, urashobora kuronka TANF iyo:**

- Ugeze **muzabukuru canke umugaye**;
- Uri umuntu **yahohotewe n'uwo mubana munzu**;
- Uri umuntu **arindiriye kuronka uruhusha rwo gukora;**
- Waramaze kuronka uruhusa rwo gukora, **ariko ukaba utararonka akazi**; canke
- Wararonkejwe imfashanyo y'Ibifungurwa canke wari wayirasavye ukaba ukirindiriye inyishu izotangwa imbere y'itariki **1 Rusama 2012**.

Niwaba ufise abana bavukiye muri reta Zunze Ubumwe za Amerika, barashobora kwemererwa TANF n’aho wewe utoba warayemerewe bivuye kuri statut yawe y’ubwimukira.

Kubibazo vyerekeye programmes za reta, rondera:

Maine Equal Justice (MEJ)
Nomero ya terefone 207-626-7058, wongereko 205, canke uje ku rubuga ngurukanabumenyi
maineequaljustice.org/about-us/contact-us/ kandi uhasige ubutumwa

Kubibazo bijanye na statut y’ubwimukira, ushobora kurondera:

Immigrant Legal Advocacy Project (ILAP)
Nomero ya terefone 207-780-1593 canke terefone bahamagara ku buntu kuri 1-800-497-8505
Addresse e-mail: ilap@ilapmaine.org